UMURYANGO MPUZA MAKUNGU

W'ISHENGERO EPISIKOPALE KARISIMATIKE

MIGENZO IJANYE N'IBATISIMU YEAR

ISAKARAMENTU RY'IBATISIMU YERA

UKWEREKANA N'UGUSUZUMA ABIPFUZA KUBATIZWA

Imisa itangurana, uko bisanzwe, n'ugusaba isangira ryera hanyuma inyuma y'insiguro (ijambo ry'Imana) ,umudiyakoni arahamagara abipfuza kubatizwa ngo baze imbere hamwe n'abavyeyi babo b'amaraso, abavyeyi b'ibatisimu n'ababashigikira(mu buryo bw'amafaranga). Igihe ata mudiyakoni, umupatiri niwe avuga ibice bigenewe umudiyakoni.

Aha umudiyakoni ashobora kuvuga:

Bakunzi b'Umwami, twaje imbere y'Imana Ishobora vyose Data wo mw'ijuru gushingira intahe isakaramentu ryera. Kubwaryo uyu mwana (umuntu) agiye kugirwa urugingo rw'umubiri wa Kristo ariryo shengero. Kandi kubw'igikorwa c'iri sakaramentu ryahezagiwe na Kristo we nyene, azopfa kubw'icaha hanyuma azuke kubw'ubugingo busha mu kwakira ubuntu bw'Imana bwuzuye kugira ngo ashobore kumukorera nk'umwizigirwa imisi yose y'ukubaho kwiwe … .

Umusenyeri, canke mu gihe atahari, Umupasitori ashobora kubariza hamwe abipfuza kubatizwa, abavyeyi b'amaraso, abavyeyi b'ibatisimu n'ababashigikira:

Uwurongoye: Ni iki musavye ishengero mvyeyi nyeranda?
Inyishu: Ubugingo budashira muri Yesu Kristo.

Umudiyakoni: Yesu yavuze ati: " Ibwirizwa rya mbere mu mabwirizwa yose ni: 'Umve, ewe Isiraheri, Umwami Imana yacu, Umwami ni umwe.Kandi ukunde Umwami Imana yawe n'umutima wawe, n'umushaha wawe wose, n'ubwenge bwawe bwose, n'inkomezi zawe zose.' Iri niryo bwirizwa rya mbere. Irya kabiri risa n'iri nyene, n'iri: 'Ukunde mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene.' Ntarindi bwirizwa riruta ayandi nk'aya." Murayemeye?

Inyishu: Egome, ndabishobojwe n'Imana, mu kubaho kwanje kwose.

Uwubatizwa igihe adashobora kwiyishurira azanwa n'abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu nk'uko bikurikira:

Abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu: Nzanye_____ kugira ngo yakire isakaramentu y'ibatisimu.

Umusenyeri, canke mu gihe adahari,Umupasitori arabaza abavyeyi b'amaraso n'abavyeyi b'ibatisimu

Uwurongoye: Muriyemeje kuraba ko uyu mwana muzanye arezwe mu bugingo bw'ukwizera bw'umukristo?

Abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu: Egome, ndabishobojwe n'Imana.

Uwurongoye: Muriyemeje gukora uko mushoboye mu kumenyesha Yesu uyu mwana kugira ngo niyagera mu myaka yo kwihitiramwo aze yakire Yesu Kristo ku giti ciwe nk'Umukiza wiwe mwemeye ubu mu kibanza ciwe?

Abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu: Egome, ndabishobojwe n'Imana.

Uwurongoye: Muriyemeje kurondera ko uyu mwana azokwiga Kredo y'ibatisimu, isengesho ry'Umwami, ivyagezwe cumi n'ibindi vyose umukristo ategerezwa kumenya kandi akizera kubw'ubuzima bw'umushaha wiwe?

Abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu: Egome, ndabishobojwe n'Imana.

Uwurongoye: Muriyemeje kubw'amasengesho n'akarorero vyanyu gufasha uyu mwana gukura mu gihagararo ca Yesu Kristo?

Abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu: Egome, ndabishobojwe n'Imana.

Uwurongoye: Muriyemeje kurondera ko uyu mwana muzanye, igihe yigishijwe, azanwa ku musenyeri kugira ahabwe isakaramentu y'ikonfirimasiyo yera?

Abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu: Egome, ndabishobojwe n'Imana.

Umusenyeri, canke mugihe atahari, Umupasitori araheza akerekeza ibiganza ku wubatizwa, abavyeyi b'amaraso, abvyeyi b'ibatisimu hamwe n'ababashigikira akavuga:

Uwurongoye: Ese Imana Ishobora vyose, Data wa twese wo mw'ijuru, We yashije icpfuzo mu mitima yanyu co kurondera ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo, Yobaha ubushobozi bwa Mpwemu Yera kugira mushishikare muri iyo ntumbero kandi mukure mu kwizera no mugutahura.

Ishengero: Amen

Umusenyeri, canke mugihe atahari, Umupasitori, akoresheje urukumu, aca agira ikimenyesto c'umusaraba kuruhanga avuga:

Uwurongoye: _____ , akira ikimenyetso c'umusaraba ku ruhanga no ku mutima, mw'izina rya Data, n'iry'Umwana, n'irya Mpwemu Yera.

Ishengero: Amen

Uwurongoye araheza akabaza nyene kwakira ibatisimu ibibazo bikurikira, mugihe ari umwana muto, abibaza abavyeyi b'amaraso hamwe n'abavyeyi b'ibatisimu bo bishura mu kibanza c'uwu mwana.

Uwurongoye: Mu kibanza ca _____ no kw'izina ryiwe, urahakanye satani n'inkomezi z'impwemu mbi zigarariza Imana?

Inyishu: Ndabihakanye

Uwurongoye: Urahakanye inkomezi z'icaha c'iyi si kibesha kikongera kigahonya abaremwe n'Imana?

Inyishu: Ndabihakanye

Uwurongoye: Urahakanye ivyipfuzo bibi vy'umubiri bigukwegera kure y'urukundo rw'Imana?

Inyishu: Ndabihakanye

Uwurongoye: Dusenge

Mana Ushobora vyose kandi wamaho, warungitse Umwana wawe w'ikinege mw'isi gukura ubushobozi bwa satani, impwemu y'icaha, gukura umuntu mu bwami bw'umwiza ngo amujane mu bwiza bw'ubwami bw'umuco.Turasengeye _____; turamukuye mu caha c'inyanduruko, tumuhinduye ingoro nzima y'ubwiza bwawe kandi turungitse Mpwemu Yera kubana nawe ibihe vyose. Amen

Umusenyeri, canke mugihe atahari, Umupasitori araheza agasiga uwubatizwa amavuta y'abakatekumeni mu gikiriza hagati y'igitugu c'iburyo n'ic'ibubamfu avuga:

Ndagusize amavuta y'agakiza, mw'izina rya Kristo Umwami n'Umukiza wacu, kugira ngo uronke ubugingo budashira.

Umusenyeri araheza akavuga aya majambo canke ayasa n'ayo:

Uwurongoye: Mukunzi wacu, twifatanije n'abo bariko bariyegurira Kristo Yesu mugusubiramwo indagano zacu z'ibatisimu.

INDAGANO Z'IBATISIMU

Uwurongoye: Uremera Imana Data?

Abantu: Ndemera Imana, Data Mushobora vyose, yaremye ijuru n'isi.

Uwurongoye: Uremera Yesu Kristo, Umwana w'Imana?

Abantu: Ndemera Yesu Kristo, Umwana Wiwe w'ikinege, Umwami wacu.
Yasamwe kubwa Mpwemu Yera
Avuka ku nkumi Mariya.
Yababajwe kuri Ponsiyo Pirato,
Yarabambwe, Arapfa, kandi Arahambwa.
Amanuka mu bapfuye.
Azuka ku munsi ugira gatatu.
Yaduze mw'ijuru,
Kandi Yicaye iburyo bwa Data Ashobora vyose.
Azogaruka gucira urubanza abazima n'abapfuye.

Uwurongoye: Uremera Imana Mpwemu Yera?

Abantu: Ndemera Mpwemu Yera

Ishengero katorika yera
Isangira ry'abera
Izuka ry'abapfuye
N'ubugingo budashira.

Ishengero n'ababatizwa bose bifatanya na musenyeri mu kwatura ukwizera kw'ishengero:

Ng'uku ukwizera kwacu. Ng'uku ukukwizera kw'ishengero. Turahimbawe no ku kwatura muri Kristo Yesu Umwami wacu. Amen

Uwurongoye: Uzobandanya mu nyigisho z'intumwa no mu muryango w'abizera, mu kumanyura umukate no mu gusenga?

Abantu: Egome, ndabishobojwe n'Imana

Uwurongoye: Uzoshishikara kurwanya ikibi kandi igihe cose uguye mu caha, wihane kandi ugaruke ku Mwami Imana yawe?

Abantu: Egome, ndabishobojwe n'Imana

Uwurongoye: Uzovuga ubutumwa bw'Imana muri Kristo Yesu?

Abantu: Egome, ndabishobojwe n'Imana

Uwurongoye: Uzorondera kandi ukorere Kristo mu bantu bose mu gukunda mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene?

Abantu: Egome, ndabishobojwe n'Imana

Uwurongoye: Uzorwanira ubutungane n'amahoro mu bantu bose kandi wubahe agateka n'uburenganzira bwo kubaho kuri zina muntu wese?

Abantu: Egome, ndabishobojwe n'Imana

GUSENGERA ABABATIZWA

Uwurongoye aca abwira ishengero

Uwurongoye: Mukunzi wacu, Umwami n'Umukiza wacu Yesu Kristo yavuze, "N'ukuri ndabibabwiye umntu n'atavuka mu mazi no muri Mpwemu ntazokwinjira mu bwami bw'Imana." N'uko rero ndabinginze ngo mwambaze Imana Data, muciye ku Mwami wacu Yesu Kristo, mu bushobozi bwa Mpwemu Yera, ngo Abahe ubugwaneza n'imbabazi ziwe bidahera(_____ ivyo adashobora kuronka kubwa kamere; kugira ashobore kubatizwa mu mazi na Mpwemu Year, kandi yakirwe mw'ishengero katorika yera ya Kristo, kandi agirwe urugingo ruzima rw'umubiri wiwe.) yongere Mpwemu Yera muri aba basubiyemwo indagano kuri Ysu Kristo nk'Umwami n'Umukiza kandi bagiye gukomezwa bakakirwa muri iki gice c'ishengero ry'Imana.

Uwurongoye araheza akarongora amasengesho akurikira

Uwurongoye: Bakure, yewe Mwami, munzira y'icaha n'urupfu

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu

Uwurongoye: Ugururira imitima yabo ubuntu n'ukuri vyawe.

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu

Uwurongoye: Buzuze Mpwemu wawe Yera kandi atanga ubungingo

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu

Uwurongoye: Bazigamire mu kwizera no mu bumwe bw'ishengero katorika yera

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu

Uwurongoye: Bigishe gukunda no gukorera abandi mu bushobozi bwa Mpwemu Yera

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu
Uwurongoye: Barungike mw'isi n'amahoro nk'ivyabona vy'ijambo ryawe

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu

Uwurongoye: Bashikane ku kwuzuzwa n'amahoro n'ubwiza vyawe

Abantu: Mwami, mu mbabazi zawe umva ugusenga kwacu

Uwurongoye: Bahe, yewe Mwami, ababatijwe bose mu rupfu rwa Yesu Kristo Umwana wawe ko boba mu bushobozi bw'izuka ryiwe kandibarorereye ukugaruka kwiwe mu bwiza; We ariho kandi aganje ubu n'ibihe bidashira. Amen

========== **KU MUBATIZO** ==========

Umusenyeri, canke mugihe atahari, Umupasitori ashobora kwakira akunyu gake mu ntoke akagashira mu kanwa k'uwugira abatizwe avuga:

Akira umunyu w'ubwenge : ukubere isezerano ry'ubugingo budashira.Amen

KUDUZA AMASHIMWE KUBW'AMAZI

Umusenyeri, canke mugihe atahari, Pasitori arahezagira amazi avuga ubwa mbere:

Uwurongoye: Umwami abane namwe

Abantu: Abane n'impwemu yawe

Uwurongoye: Tuyerekeje k'Umwami

Abantu: Ni muze dushimire Umwami Imana

Uwurongoye: Birakwiriye ko tumushima kandi tumushira hejuru

Uwurongoye arabandanya :

Tuguhaye amashimwe, Mana Ishobora vyose, ku ngabire y'amazi wahinduye ikimenyetso c'ubuntu uduha muri iri sakramentu.Imbere y'irema Mpwemu Yera yatembera hejuru yayo.Mu mazi y'umwuzore waratanze ikimenyetso c'amazi y'ibatisimu akura icaha agatanga itanguriro rishasha ry'ubugwaneza n'imbabazi.Mu mazi y'Ikiyaga Gitukura wararongoye abana ba Isiraheri ubakura mu buja muri Egiputa Ubajana mu gihugu c'isezerano.Mu mazi ya Yorodani Umwana wawe Yesu yarakiriye ibatisimu ya Yohana, arasigwa amavuta na Mpwemu Yera nk'Umunguzi, Kristo, ngw'aducishe mu rupfu n'izuka ryiwe, adukure mu buja bw'icaha atujane mu bugingo budashira.

Turagushimiye, Data, kubw'amazi y'ibatisimu.Muri yo turahambanwa na Kristo mu rupfu rwiwe.Kubw'ayo turasangira mu kuzuka kwiwe.Muri yo turavuka ubwa kabiri muri Mpwemu Yera.N'uko rero mu kwumvira n'umunezero Umwana wawe We yategetse abigishwa biwe , "Gende rero muhindure amahanga abigishwa, mu babatize mw'izina rya Data, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera,"turinjije mu muryango wiwe abo baje kuri We mu kwizera.

Uwurongoye: Turagusavye Uhezagire aya mazi kubw'ubushobozi bwa Mpwemu Yera kugira uyu ari aha yahanaguwe icaha cose akavuka ubwa kabiri ashobore kubandanya mu bihe vyose mu buzima bw'azuka rya Yesu Umukiza wacu.Icubahiro n'ubwiza bibe ivya Yesu, Data na Mpwemu Yera ubu n'ibihe vyose. **Amen**

UMUBATIZO

Uwurongoye: Arahamagara uyo mwana (umuntu)

Abavyeyi b'amaraso, abavyeyi b'ibatisimu hamwe n'abamushigikira bara vuga izina ry'umwana (umuntu).Uwurongoye aca amwibika canke agasuka amazi incuro zitatu ku wubatizwa avuga ati:

Uwurongoye: _____, ndakubatije mw'izina rya Data, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera. **Amen**

Uwurongoye aca arambika ikiganza ku mutwe w'uwuhejeje kubatizwa, amushira ikimenyetso c'umusaraba ku ruhanga akoresheje amavuta ya krisma ,avuga

Uwurongoye : _____ , urashizwe ko ikimenyetso na Mpwemu Yera mw'ibatisimu nk'uwa Kristo ibihe byose**. Amen**

Turakiriye _____ mw'ishengero y'ubushobozi bwa Kristo kandi dukoresheje amavuta ya krisma tumufatanije mu rumenyetso rw'umusaraba, kugira mu gihe kizoza ntaze agire isoni zo kwatura ukwizera kwa Kristo yabambwe, kandi munsi y'ibendera Ryiwe aze arwanye n'ubuhizi icaha, isi n'ikibi; abandanye kuba umusirikare w'umwizigirwa n'umukozi wa Kristo gushika aho ubuzima bwiwe burangira. **Amen**

Igihe bavyipfuje barashobora gukoresha umutamana wera ,maze urongoye akavuga:

Uworongoye: Naka, wabaye ikiremwa gishasha kandi wiyambitse Kristo. Akira uyu mutamana wera nk'ikimenyetso kiboneka c'ukwera uhawe kandi muri co utegetswe kubaho ubugingo butunganye kandi bwejejwe kugirango inyuma y'ubugingo b'awaha kw'isi uze usangire ubugingo budashira**. Amen**

Uwurongoye arashobora kwatsa ishashara ry'ibatisimu akaritanga avuga :

Uwurongoye :_____ , akira umuco wa Kristo kigira ngo igihe umukwe aje uze ushobore kudugana n'abera bose kumusanganira; kandi uzigame ubuntu bw'ibatisimu yawe.

Igikorwa kirangiye uwurongeye ararambika ibiganza ku wabatijwe (abikora imbere y'ishengero) agasenga avuga :

Uwurongoye : Dusenge

Data wo mw'ijuru, turagushimira ko kubw'aya mazi na Mpwemu Yera wasutse kuri _____ uguharirwa kw'ivyaha ukamuduza ku bugingo bushasha bw'ubuntu. Mushigikire, yewe Mwami, muri Mpwemu Yera wawe. Muhe umutima wo kurondera no gushishoza, inkomezi zo kwifuza no gushikama, impwemu yo kukumenya no kugukunda, n'ingabire y'umunezero n'ibitangaza mu bikorwa vyawe vyose. **Amen**

Igihe igihe bose bahajeje kubatizwa, uwurongoye araheza akavuga ati :

Uwurongoye : Muze twakire abahejeje ku batizwa .

Uwurongoye hamwe n'ishengero:

Turabakiriye mu ruhongore rw'Imana .Mwature ukwizera muri kristo yabambwe, mwamamaze izuka Ryiwe, kandi musangire natwe mu buherezi bwiwe bw'ibihe bidashira.